Bujumbura, kuwa 05 nzero 2018 vol 001/018 UKURI

GUCISHA IBWIRIZWA NSHINGIRO MU NAMA NSHINGAMATEKA NGO NTIVYARI BIKURIKIJE AMATEGEKO MU MWAKA WA 2012.



Petero Nkurunziza ngo arashima kuba igikorwa co kwemeza Ibwirizwa Nshingiro kitashobotse mu nama Nshingamateka mu mwaka wa 2012 akamenyesha ko ico gikorwa ngo n'ubundi kitari gikurikije amategeko.

Mu kiganiro yaremesheje kuri uyu wa gatanu igenekerezo rya 29 kigarama 2017, mu ntara ya Kayanza, Petero Nkurunziza amenyesha ko igikorwa co guhinyanyura ibwirizwa nshingiro catanguye mu mwaka wa 2012.

Muri ico kiganiro, Nkurunziza akavuga ko bamaze kubaza abahinga mu bijanye n'amategeko, basanze ko igikorwa co kwemeza canke guhakana Ibwirizwa Nshingiro gikorwa biciye aho vyaciye ubwa mbere.

Kubwa Petero Nkurunziza ngo nta handi ibijanye no kwemeza canke guhakana Ibwirizwa Nshingiro bica atari mu banyagihugu, ari nabo baba bararyemeje ngo kubera Ibwirizwa Nshingiro ari iry'abarundi, ngo ari naco gituma bikorwa n'abarundi bonyene ubwabo.

Nayo gusigura uwo mugambi bavuga ko ari uwo guhinyanyura Ibwirizwa Nshingiro ariko ugamije gusenyura no guhamba amasezerano ya Arusha n'Ibwirizwa Nshingiro riyakomokako bikaba bigiye gutangurira mu ntara 6.

Ibiro bijejwe gutunganya ibikorwa mu biro vya Petero Nkurunziza vyashize ahabona uko ayo manyanga yabo azokorwa. ngo bikaba bizotangurira mu ntara zitandatu arizo Rumonge, Gitega, Mwaro, Kayanza, Bujumbura Rural na Bubanza nizo ziza imbere muri ico gikorwa.

Nayo abazobitanguza akaba ari uwitwa kwari Umukuru w'Inama Nshingamateka, ngo Icegera ca mbere ca Petero Nkurunziza hamwe rero ngo n'Icegera ca kabiri ca Petero Nkurunziza, akaba aribo bazotanguza uwo mugambi.

Bikaba bitegekanijwe ko uwo yitwa ko ari Umukuru w'Inama Nshingamateka azokorera ico gikorwa mu ntara za Rumonge na Gitega, mugihe ngo Icegera ca mbere ca Petero Nkurunziza azokorera mu ntara za Mwaro na Kayanza, nayo ngo Icegera ca kabiri ca Petero Nkurunziza azokorera mu ntara za Bujumbura-Rural na Bubanza. **I. Axel**

MURWANDIKO RUGIRA INDWI UMUGAMBWE MSD WARUNGIKIYE ABANYWANYI BAWO BAMENYESHA KO KUVUGA KO GUCISHA IBWIRIZWA NSHINGIRO MU NAMA NSHINGAMATEKA BIDAKURIKIJE AMATEGO ARUGUSHIKUZA.

Murwandiko rugira icumi n'indwi rw'umugambwe MSD, bagarutse ku vyerekeye ivyashikirijwe na Petero Nkurunziza aho yashikiriza ko gucisha Ibwirizwa Nshingiro mu nama Nshingamateka ngo yemeze canke ihakane ihindurwa ry'aryo bidakurikije amateko.

Muri MSD bakagiriza Petero Nkurunziza ko ivyo yashikirije ari uguhuvya abarundi ngo ntashingiro bifise nagatoyi.

Kubwabo ngo bakabona ko kwitwaza ko gutunganya amatora yo kugira ngo abanyagihugu babe aribo bahakana canke bakemeza Ibwirizwa Nshingiro arukubesha cane ngo ahubwo Petero Nkurunziza niyemange ko ari uko yabonye ko abicishije mu nama Nshingamateka ngo naho abari muriyo nama Nshingamateka vyitwa ko ari abamuyoboka ngo hatoburamwo uwurya umutima amenyo akaba mpebe zirye akamubuza kurihindura nkuko vyagenze mu mwaka wa 2012.

muri MSD kandi bakavuga ko Petero Nkurunziza atinya kuricisha muriyo nama Nshingamateka ngo kuko yabonye ko Imbonerakure bitazozorohera gu kubita Abashingamateka bose ngo nkuko bibaza ko Nkurunziza ariko arabitegura ko zirara mu banyagihugu zigasasika ngo zibategeka kwemeza iryo Bwirizwa Nshingiro ngo hamwe rero nuko naho abarundi bose borihakana ngo yamaze gutegura umurwi CNI urongowe na Ndayicariye Pierre Claver ko utegerezwa vyanse bikunze kuzokwemeza ko baritoye.

Bakagiriza umurwi CENI ko kuva mu matora yo muri 2010 uyo murwi wamye wiba amatora mu kwemeza ko Petero Nkurunziza yatsinze amatora ariko mu vyukuri atigeze ayatsinda.

MSD ikavunira akagohe abarundi ko bohagabira ngo Petero Nkurunziza ntababeshe ko ari urukundo abafitiye, mu kugomba guhindura Ibwirizwa Nshingiro, kubwa MSD ngo ntakindi c'inyegeje inyuma yavyo atari ukurondera kwigira umwami w'uburundi ngo aze yigumire ku butegetsi gushika ubuzima bwiwe bwose ngo abanje guhamba Amasezerano ya Arusha n'Ibwirizwa Nshingiro riyakomokako.

Bakagirako batera akamo abarundi bose n'abanywanyi babo mbere n'abanywanyi b'Umugambwe CNDD-FDD ngo ko uyu mwaka woba uwo kongereza inguvu ngo mu kurwanira agateka kabo ngo nak'igihugu cabo ngo bakanka ko Petero Nkurunziza ahamba Amasezerano ya Arusha n'Ibwirizwa Nshingiro ngo nkuko asanzwe ariko arabitegura mu manyanga y'amatora yo gutora OYA canke EGO. **B.Armel**

BIVURWA KO ABANYORORO BARENGA 2000 NGO BOBA BAGIYE KUREKURWA MU KIGONGWE CA PETERO NKURUNZIZA ARIKO BIKAVURWA KO HOBA HAGIRA HAREKURWE IMBONERAKURE ZAKOREYE AMABI ABARUNDI.

Petero Nkurunziza amenyesha ko abanyororo barenga 2000 bagiye kwidegemvya ngo mu mwaka wa 2018. akamenyesha ko abasaba kwirinda ico cose cotuma basubira gupfungwa.

Mw'ijambo yashikirije abarundi avuga ko ari mu ntumbero yo guhimbaza umunsi mukuru w'umwaka mushasha,kur'uyu wa 31 kigarama 2017, amenyesha ko abagiriwe ikigongwe ari abakatiwe gupfungwa imyaka itarenga itanu, abakenyezi bibungenze n'abonsa.

Muri iryo jambo kandi, akavuga ko abandi bagiriwe ikigongwe ari, abakenyezi bibungenze n'abonsa, abagendana ubumuga bugaragara, abamaze mu mvuto ica kabiri c'ikiringo bakatiwe, n'abandi ; bose hisunzwe uburemere bw'ivyaha bagirizwa n'inyifato yabo mu mabohero barimwo.

Petero Nkurunziza akamenyesha ko kandi ico kigongwe agitanze, mu ntumbero ngo yo gusasagaza amahoro, ngo iteka n'itekane mu gihugu, ngo yisunze ingingo y'113 y'Ibwirizwa Nshingiro ry'uburundi.ivyabatari bake bumvise bakifata ku munwa kuko basanzwe bazi yuko ahubwo aho gusasagaza amahoro ari Petero Nkurunziza ayahungabanya.

Ngo nayo kuvuga ko agiriye ikigongwe abarundi bakoze ivyaha ngo sivyo nagatoyi ngo natangaze ko agiriye ikigongwe imbonerakure zakoreye amabi atagira izina abarundi ngo kuko arizo yama arekura mubihe nkibi.

Ivyo bakabivuga bafatiye ko no mu mwaka uheze yabikoze nkuko nyene aho vyitwa ko yifashe mu maso mukuba yaratangaje ko mubo agiriye ikigongwe harimwo n'abarundi bo mu mugambwe MSD bari bamaze igihe bapfungiwe ubusa mugabo ku makuru dufise bakaba abo ba msd batigeze barekurwa ahubwo nubu hakaba hakiri abagorewe mu munyororo kandi ataco bazira bakabona ko rero ico kigongwe ciwe ataworonka ukwacita.

Hari n'abamenyesha ko iyaba Petero Nkurunziza yashaka kugirira ikigongwe abarundi yari kurekura abarundi batari bake bapfunzwe bagirizwa kuba baragiye mu myiyerekano yiyamiriza ikiringo kigira gatatu kinyuranye n'Amasezerano ya Arusha hamwe n'Ibwirizwa nshingiro riyakomokako.

MU NTUMBERO YO KWIFURIZA IMISI MIKURU MYIZA NOEL N'UMWAKA MUKURU MWIZA WA 2018 IKIGO MAISON SHALOM CARAGENDEYE IMPUNZI ZO MWIKAMBI YA MAHAMA.

Ikigo Maison Shalom caragendeye abarundi bahungiye mw'ikambi ya mahama iri mu gihugu c'urwanda kuri uyu wa gatatu igenekerezo rya 3 nzero 2018 kikaba cagiye c'itwaje imfashanyo ku mirwi y'abarundi itandukanye n'ukuvuga abageze mu zabukuru 300, abana 1800 hamwe na'abakenyezi.

Muri urwo rugendo umupfasoni maragarita barankitse yashinze ikigo maison shalom akaba yarashize ibuye rya mbere ku nyubakwa igiye kubakwa muriyo kambi nyene ya mahama yo kwigishirizamwo no gukoreramwo imyuga na cane cane umwuga wo gushona impuzu , kugirango abarundi bahungiye muri iyo kambi bashobore kuronka akazi

Urwo rugendo rukaba rwakozwe n'abakozi ba maison shalom, baherekejwe n'abarundi baba mubihugu vya buraya n'ahandi (ubwongereza,canada,italie, belgique, norvège , n'ahandi) hamwe n'urwaruka ruba mu gisagara ca kigali,

Abarundi bahungiye muriyo kambi ya mahama bakaba baranezerewe cane ,baravyina ,baratamba imvyino z'ikirundi , eka barerekanye ko imitima yabo iri mu burundi .

Nayo mw'ijambo ryiwe umupfasoni maragarita barankitse yarashikirije ibintu bitari bikeya vyatumye abo barundi bumva baremye adasize inyuma kubashimira ingene naho bari mu ngorane bagumana ubuntu. ***M.Dior***

ABAGIZE RETA BASABWA KUMENYESHA IVYEGERA VY'UMUKURU W'IGIHUGU INGENDO BAGIRA HAGATI MU GIHUGU

Icegera ca mbere ca petero hamwe n'icegera ca kabiri bashize umukono kw'itegeko rigenga ingendo z'abagize reta hagati mu gihugu. muri iryo tegeko, abagize reta y'uburundi, barekurirwa kugira ingendo mu gihugu hagati , bahawe uburenganzira n'icegera cambere canke cakabiri mu vyegera vya petero nkurunziza.

Muri iryo tegeko inomero 120/121/vp1/vp2/01/2017 ryateweko umukono kw'igenekerezo rya 28 kigarama 2017, abagize reta y'uburundi basabwa kumenyesha icegera ca petero nkurunziza begukira, naho rwoba atari urugendo rw'akazi.

Muri iryo tegeko, ivyegera vya petero nkurunziza bimenyesha ko urupapuro rwerekana akazi uwugize reta mu gihugu hagati agiyemwo, rutegerezwa kuba rwerekana urutonde rw'ibikorwa akorera mu rugendo agiyemwo, imvo, akarusho urwo rugendo ruzana, ikibanza urwo rugendo rwabereyemwo hamwo n'abagiye muri ivyo bikorwa.

Iryo tegeko rikamenyesha kandi ko, mu gihe abagiye mu rugendo rw'akazi ari umurwi munini, urupapuro rwerekana urugendo rw'akazi bagiyemwo, rutegerezwa kuba ruriko uwurongoye uwo murwi.

Abihweza ibintu n'ibindi bakavuga ko ivyo biriko biba mu ntumbero yo gusha coba kwa reta yamaraso ya Petero Nkurunziza mu kwiyumvira ko abogenda hagati mu gihugu boja kwigisha kwabarundi bohaguruka bakagumuka mugihe hariko haraboneka ibimenyesto bitari bike vyerekana ko umwanya uwariwo wose abarundi bashobora guhitamwo kwiyahura bakiyamiriza ubutegetsi ufatiye ku magorwa atagira izina abarundi barimwo muri kino gihe.

Ayo magorwa nayo akaba ari ubukene barimwo n'inzara iriko irica abarundi ku musi ku musi kandi batewe nintwaro iriho, gupfungwa atakintu nakimwe cikosa bakoze, kwangazwa abarundi bazira ivyiyumviro vyabo hamwe no kwicwa no kwicirwa ababo bikozwe nabotegerejwe kubakingira. **I.Axel**